Ntugakengere ikintu na kimwe mu vyiza, n'aho kwoba ari uguhura na mwenewanyu ukeye (ushwashwanutse) mu maso

Mu vyakiriwe na Abu Dharri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarigeze kumbwira ati: "Ntugakengere ikintu na kimwe mu vyiza, n'aho kwoba ari uguhura na mwenewanyu ukeye (ushwashwanutse) mu maso"".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarahimirije umuntu gukora ivyiza, n'uko atokengera iciza na kimwe n'aho koba ari akantu gato. Muri ivyo vyiza adakwiye gukengera, ni ugushwashwanuka mu maso amwenyura igihe ahuye na mugenziwe, birakenewe rero ko umwislamu avyitwararika; kubera ko bituma haba ukumenyerana no kunezereza uwo bahuye.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/5348